REPUBLIQUE DU BURUNDI

REPUBLIQUE DU BURUNDI

**CABINET DU PRESIDENT**

**CABINET DU PRESIDENT**

# DECRET N°100/ 099 DU 08 AOUT 2018 PORTANT INTERDICTION DE L'IMPORTATION, DE LA FABRICATION, DE LA COMMERCIALISATION ET DE L'UTILISATION DES SACHETS ET D'AUTRES EMBALLAGES EN PLASTIQUE

# ITEGEKO INOMERO 100/ 099 RYO KU WA 08 MYANDAGARO 2018 RIBUZA UKWINJIZA MU GIHUGU, UGUKORA, UKUDANDAZA N'UGUKORESHA AMASASHE N'IBINDI BITEKEZO BIKOZWE MU KAMWANYA

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE;**

**UMUKURU W'IGIHUGU;**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi;

Vu la Loi n° 1/010 du 30 juin 2000 portant Code de l'Environnement de la République du Burundi ;

Yihweje ibwirizwa inomero 1/010 ryo ku wa 30 Ruheshi 2000 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije mu Burundi;

Vu la Loi n°1/06 du 3 février 2005 portant Ratification de la Convention de Stockholm sur les polluants organiques persistants par la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 3 Ruhuhuma 2005 ryerekeye iyemezwa n'Uburundi ry'amasezerano y'i Stockholm yerekeye ibitosekaza ubuzima bigumaho;

Vu la Loi n°1/02 du 26 mars 2012 portant Code de l'Eau au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 26 Ntwarante 2012 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga amazi mu Burundi;

Vu la Loi n°1/01 du 16 janvier 2015 portant Code de Commerce ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 16 Nzero 2015 ryerekeye Igitabu c'ubudandaji;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama nshikiranganji imaze kuvyihweza;

**DECRETE :**

**ASHINZE:**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

### Article 1 :

Le présent décret a pour objet de :

1° établir un cadre de contrôle de l'utilisation des sachets et d'autres emballages en plastique ;

2° promouvoir l'utilisation des matériaux qui ne dégradent pas l'environnement ;

3° prévenir toute sorte de pollution causée par les sachets et les autres produits plastiques.

### Article 2 :

Au sens du présent décret, on entend par :

**autorité en charge de l'environnement**, l'organe gouvernemental désigné pour s'occuper de la gestion de l'environnement ;

**importer**, introduire sur le territoire national des sachets et d'autres emballages en plastique en provenance d'un pays étranger ;

**fabrication**, la transformation des matières premières en produits finis pour la vente ou l'utilisation y compris les processus intermédiaires incluant la production ou la finition des biens semi-fabriqués ;

**sachets en plastique**, un matériel synthétique de faible densité composé de plusieurs molécules simples d'éthylène avec une formule chimique **$(CH_2 = CH_2)n$**.

## IGICE CA MBERE: INGINGO NGENDERWAKO

### Ingingo ya 1:

Iri tegeko rifise intumbero yo :

1° Gushiraho amategeko y'ukugenzura ikoreshwa ry'amasashe n'ibindi bitekezo bikozwe mu kamwanya ;

2° Gushigikira ikoreshwa ry'ibikoresho bidatosekaza ibidukikije;

3° Gukinga ico cose gitosekaza ibidukikije bitumwe n'amasashe n'ibindi bihingurwa mu kamwanya.

### Ingingo ya 2 :

Muri iri tegeko, amajambo akurikira asiguwe uku :

**ubutegetsi bujejwe ibidukikije** ni urwego rwa Reta rugenwa kugira rwiteho itunganywa ry'ibidukikije ;

**ukwinjiza mu gihugu** ni ukuzana ku gataka k'igihugu amasashe n'ibindi bitekezo bikozwe mu kamwanya bivuye mu kindi gihugu ;

**ugukora** ni uguhingura ibintu kama mu bindi bikoreshwa n'abantu kugira bidandazwe canke bikoreshwe, harimwo kandi no guheraheza guhingura ibintu bitaraherahezwa guhingurwa ;

**isashe ikozwe mu kamwanya** ni igikoresho gihinguwe mu buhinga bwa shimi $(CH_2 = CH_2)n$ gihwahutwe, kigizwe n'utumanyumanyu twinshi ntabonwa twa etileni ikomoka mu bitoro.

## CHAPITRE II : DES PROHIBITIONS ET DES EXCEPTIONS

### Article 3 :

La fabrication, l'importation, le stockage, la vente et l'utilisation de tous les sachets et d'autres emballages en plastique sont interdits.

### Article 4 :

Nonobstant les dispositions de l'article 3, le Ministre en charge de l'environnement, après concertation avec les Ministres concernés, établit par ordonnance, une liste des sachets en plastique devant être utilisés exceptionnellement au Burundi. La liste est actualisée chaque fois que de besoin.

La liste initiale du matériel en plastique bénéficiant d'une dérogation spéciale est la suivante :

1° Les sacs et les sachets en plastique biodégradables ;

2° Les matériels en plastique utilisés dans les services médicaux ;

3° Les matériels en plastique utilisés dans l'emballage industriel et pharmaceutique ;

4° Les matériels en plastique utilisés dans la construction industrielle, y compris les tuyaux de canalisation ;

5° Les matériels en plastique utilisés dans la fabrication des tentes ;

## IGICE CA II: IVYEREKEYE IBIBUJIJWE N'IBIDASANZWE

### Ingingo ya 3 :

Ugukora, ukwinjiza mu gihugu, ugushingura, ukudandaza n'ugukoresha amasashe yose n'ibindi bitekezo bikozwe mu kamwanya birabujijwe.

### I Ingingo ya 4 :

Hirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 3, Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, abanje kubija inama n'abashikiranganji vyerekeye, arashinga biciye mw'itegeko nshikiranganji urutonde rw'amasashe akozwe mu kamwanya akenewe gukoreshwa ku buryo budasanzwe mu Burundi. Urwo rutonde ruja ruraroranishwa n'ibihe igihe cose bikenewe.

Urutonde rw'intango rw'ibikoresho bikozwe mu kamwanya birekuriwe kudakurikiza ibitegekanijwe n'iri tegeko ni uru rukurikira :

1° Imipfuko hamwe n'amasashe bikozwe mu kamwanya bishobora kubora ;

2° Ibikoresho bikozwe mu kamwanya bikoreshwa kwa muganga ;

3° Ibikoresho bikozwe mu kamwanya bikoreshwa mu gutekera mu mahinguriro no mu gutekera imiti ;

4° Ibikoresho bikozwe mu kamwanya bikoreshwa mu kwubaka ku buhinga bunonosoye harimwo n'imiringoti itwara amazi ;

5° Ibikoresho bikozwe mu kamwanya bikoreshwa mu gukora amahema ;

6° Les matériels en plastique utilisés dans les laboratoires de recherche ;

7° Les matériels en plastique utilisés dans l'enseignement comme matériels didactiques.

6° Ibikoresho bikozwe mu kamwanya bikoreshwa mu masuzumiro akora ubushakashatsi ;

7° Ibikoresho bikozwe mu kamwanya bikoreshwa mu mashure nk'ibikoresho mfashanyigisho.

## CHAPITRE III : DE L'AUTORISATION ET DU CONTROLE

## IGICE CA III: UGUTANGA URUHUSHA N'UGUSUZUMA

### Article 5 :

Toute personne qui désire importer, fabriquer, vendre, utiliser tout sachet ou produit en plastique spécifié à l'article 4, en fait une demande écrite adressée au Ministre en charge de l'environnement.

La demande contient les informations suivantes :

- Le motif de la demande ;
- les quantités demandées et la période estimée d'utilisation ;
- Les modalités de gestion et d'élimination des déchets en plastique après leur utilisation.

### Ingingo ya 5 :

Umuntu wese yipfuza kwinjiza mu gihugu, gukora, kudandaza, gukoresha isashe canke igikoresho cose gikozwe mu kamwanya kivugwa mu ngingo ya 4 arabisaba abicishije mu rwandiko yandikira Umushikiranganji ajejwe ibidukikije.

Ikete ry'ukubisaba ritegerezwa kumenyesha ibi bikurikira :

- Imvo zitumye abisaba ;
- Igitigiri asaba uko kingana n'ikiringo yiyumvira kubikoreshamwo ;
- Ingene azotunganya iyarara ry'ibikozwe mu kamwanya n'ingene azorizimanganya ahejeje kudukoresha.

### Article 6 :

Le contrôle du respect des autorisations et des prohibitions est assuré par :

1° Les services des douanes et de la Police de l'air, des frontières et des étrangers pour le contrôle à l'importation des sachets autorisés ;

2° Les services techniques du Ministère ayant l'industrie dans ses attributions pour le contrôle de la fabrication des sachets autorisés ;

### Ingingo ya 6 :

Ugusuzuma iyubahirizwa ry'ivyemewe n'ibibujijwe bigirwa na :

1° Ibisata vya duwane n'Igiporisi gicungera ikirere, imbibe n'abanyamahanga mw'isuzuma ry'iyinjizwa mu gihugu ry'amasashe akozwe mu kamwanya arekuwe ;

2° Ibisata vy'ubuhinga vy'Ubushikiranganji bujejwe amahinguriro mu gusuzuma ikorwa ry'udufuko dukozwe mu kamwanya turekuwe ;

3° Les services du Ministère ayant respectivement l'intérieur, le commerce et l'environnement dans leurs attributions pour le contrôle de la vente et de l'utilisation des sachets autorisés.

3° Ibisata vy'Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati, ivy'Ubushikiranganji bw'ubudandaji n'ivy'Ubushikiranganji bw'ibidukikije bifadikanije mu gusuzuma igurishwa n'ikoreshwa ry'udufuko turekuwe n'amategeko.

## CHAPITRE IV : DES DISPOSITIONS DIVERSES

## IGICE CA IV: INGINGO ZITANDUKANYE

### Article 7 :

Les déchets en plastique, y compris les bouteilles et les flacons en plastique sont retournés chez les fournisseurs qui en assurent le stockage, le recyclage ou la valorisation.

### Ingingo ya 7 :

Iyarara ry'ibikozwe mu kamwanya, hatibagiwe amacupa n'uducupa bikozwe mu kamwanya, ritegerezwa gusubizwa abadandaza bakaba ari bo baribika, barihinguramwo ibindi bintu canke bariha agaciro.

### Article 8 :

Les promoteurs économiques des projets de sacs de substitution et de recyclage des sachets et d'autres emballages en plastique sont encouragés à investir dans ce secteur.

Le Ministère en charge de l'environnement, en collaboration avec les Ministères sectoriels, établit un texte d'application définissant les modalités d'encouragement.

### Ingingo ya 8 :

Abafise imigambi y'ugukora imipfuko ishobora gusubirira amasashe akozwe mu kamwanya n'iy'uguhinguramwo ibindi bintu n'ibindi bitekezo bikozwe mu kamwanya barashigikirwa kugira bashire imitahe yabo muri ico gisata.

Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije, bufadikanije n'ubundi Bushikiranganji vyerekeye burategura itegeko ribishira mu ngiro ryerekana ingene bashigikirwa.

## CHAPITRE V : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

## IGICE CA V: INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

### Article 9 :

Un délai de grâce de dix huit mois est accordé, à compter de l'entrée en vigueur du présent décret pour écouler les stocks disponibles et les commandes passées.

### Ingingo ya 9 :

Haratanzwe ikiringo c'amezi icumi n'umunani, gitangura guharurwa kuva kw'igenekerezo iri tegeko ritanguriyę gukurikizwa, c'ukurindira ko ibikiri mu bubiko n'ivyakozwe bihera kudandazwa canke gukoreshwa.

**Article 10 :**
Toutes les dispositions antérieures contraires au présent décret sont abrogées.

**Ingingo ya 10 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri tegeko zirafuswe.

**Article 11 :**
Le présent décret entre en vigueur le jour de sa signature.

**Ingingo ya 11 :**
Iri tegeko ritangura gukurikizwa kuva ku munsi ritangarijweko.

**Fait à Bujumbura, le 8 / 8 /2018,**

**Pierre NKURUNZIZA.**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

8.8.2018

**LE DEUXIEME VICE-PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**Dr. Joseph BUTORE**

**LE MINISTRE DE L'ENVIRONNEMENT, DE L'AGRICULTURE ET DE L'ELEVAGE**

**Dr. Déo-Guide RUREMA (PhD).**

**LE MINISTRE DU COMMERCE, DE L'INDUSTRIE ET DU TOURISME**

08/08/2018

**Jean Marie NIYOKINDI**

**Bigiriwe i Bujumbura kuwa 8 / 8 /2018,**

**NKURUNZIZA Pierre.**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU**

8.8.2018

**ICEGERA CA KABIRI C'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**Dr. BUTORE Joseph**

**UMUSHIKIRANGANJI W'IBIDUKIKIJE, UBURIMYI N'UBWOROZI**

**Dr. RUREMA Déo-Guide (PhD).**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUDANDAJI, AMAHINGURIRO N'INGENZI**

08/08/2018

**NIYOKINDI Jean Marie**